UKURI KUNYWANISHA

*Bulletin de la Commission Vérité et Réconciliation du Burundi*

*La Vérité au service de la Réconciliation*Nom de l'organisation

**N°17**
**Janvier 2022**

# MU 1972-1973, UBUTEGETSI BWA PREZIDA MICHEL MICOMBERO BWARAKOZE IHONYABWOKO RYAHITANYE ABAHUTU

Mw'ijambo Umukuru w'Umurwi ushizwe gutohoza Ukuri no kunywanisha Abarundi yashikirije imbere y'Inama nshingamatega n'Inama nkenguzamateka, ku musi wo gushikiriza icegeranyo c'ibikorwa vyaranguwe n'Umurwi CVR mu mwaka w'2021, Amb. Petero Karaveri Ndayicariye yaratomoye neza ko ivyaha vyakozwe n'ubutegetsi bwa Prezida Michel Micombero n'abamufasha kurongora igihugu c'Uburundi, ari ihonyabwoko ryakokorewe Abahutu b'i Burundi mu 1972-1973.



Ambasaderi Petero Karaveri Ndayicariye, ku wa 20 Kigarama 2021, yari imbere y'Inama nshingamateka n'Inama Nkenguzamate-

None icaha c'ihonyabwoko kivugwa ryari ? Nico kibazo ca mbere Umurwi CVR wishuye ico gihe co ku wa 20 Kigarama 2021.

Petero Karaveri Ndayicariye yagize ati: Icaha c'ihonyabwoko kivugwa iyo kimwe muri ibi bikurikira cakozwe :

(1) Kwica canke kuzimanganya ubuzima bwa kiremwa-muntu vyateguwe n'umurwi w'abantu wose, canke igice c'uwo murwi ukingiwe n'amategeko mpuzamakungu. Uwo murwi ushobora kuba ari uw'abantu basangiye ubwoko, igihugu, idini canke umuryango.

(2) Mu mategeko mpuzamakungu, icaha c'ihonyabwoko gisigurwa neza n'Amasezerano mpuzamakungu akinga akongera agahana icaha c'ihonyabwoko ryo kw'igenekerezo rya 9 Kigarama 1948.

(3) Ivyaha vy'ihonyabwoko birangwa n'integuro n'ivyiyumviro vyerekana agatima ko guhonya umurwi w'abantu ; ico bita « Intention génocidaire » mu kinyamazuru. Ni ukuvuga umugambi wo kwica canke wo kuzimanganya umurwi canke igice c'umurwi w'abantu basanzwe bakingiwe n'amategeko.

Umurwi CVR umaze gutohoza, wasanze ubwicanyi bwo mu 1972-1973 ari ihonyabwoko ryagiriwe abahutu. Hambavu y'ubwo bwicanyi, hari n'ubwicanyi bwagiriwe abatutsi ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika hamwe n'abatwa mu ntara ya Mwaro.

## Ivyerekana ko umugambi wo kugandagura Abahutu, cane cane abize n'abifise wari wateguwe

Amatohoza y'Umurwi CVR yerekanye mu ntara zose ko Abarundi bo mu bwoko bw'Abahutu bagandaguwe kandi bagakorerwa ivyaha vy'agahomerabunwa. Ivyo vyaha vyaranzwe n'ibi bikurikira :

(1) Abagandaguwe ni benshi cane mu gihugu kandi bagandaguwe bunyamaswa. Abaronderwa kwicwa bava mu murwi w'Abarundi uzwi n'abateguye ubwicanyi ; mu bice bimwe bimwe abica ntibaraba imyaka canke igitsina ; n'abana baragandaguwe ; vyarabonetse mu gihugu cose ko vyari vyarateguwe n'ingene bizogenda.

(2) Ivyaha vyakorewe Abarundi bo mu bwoko bw'Abahutu birafise ivyemezo bimwe biva mubabikoze bamaze kuvyemanga imbere y'Umurwi CVR, ibindi biva mu bicanyi batandukanye bemera ivyo bakoze bakongerako n'ababatuma. Ibindi bimenyetso bikaba ibinogo rusangi n'ibisigarira vy'abagandaguwe Umurwi CVR umaze kwegeranya.

(3) Abakozi ba Reta bava mu bwoko bw'Abahutu barahizwe mu gihugu cose. Abize canke bafise ubutunzi buboneka, abanyeshure bo muri Kaminuza na ENS/ Ishure Kaminuza Nderabigisha, abanyeshure bo mu mashure yisumbuye n'ay'intango baragandaguwe.

# IBINDI VYEMEZO KO MU 1972-1973 HARI UMUGAMBI WO KUGANDAGURA ABAHUTU MU BURUNDI

Mu bagandaguwe mu 1972-1973 harimwo n'abihebeye Imana (Abapatiri, Ababikira, Abafurera n'Abapasitori) ; harimwo n'Abarundi bari bageze mu zabukuru n'abana ata vyicaro vya politike barwanira. Abo bapatiri, abo babikira n'abo bafurera nka bose bagandaguwe bazira ko bavutse ari Abahutu. Abatari bake Umurwi CVR wararonse amazina yabo.

*(1)* Kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza 1972, niho Umukuru w'igihugu Michel Micombero yafuta abagize Reta yose. Ku bahinga bazi kwihweza ibintu n'ibindi, iyo ngingo nta ciza cari kuyivamwo.

*(3)* Bukeye, kw'igenekerezo rya 30 Ndamukiza 1972, Intara zose z'igihugu zaciye zironka Baburamatari b'Abasirikare. Itegeko/Décret nomero 1/71 y'Umukuru w'igihugu niyo yabashizeho ; yongera ibaha ububasha budasanzwe. Abo basirikare nibo bari hejuru y'ababuramatari b'abasivile.

*(4)* Uwo musi nyene, Micombero yashize umukono kw'itegeko/ Décret Nomero 1/70 rishikiriza amabanga y'Umushikirizamanza Kizigenza wa Republika, Nzohabonayo Cyrille.



UYU NI MICHEL MICOMBERO YARAMUTSWA UBURUNDI MU 1972

*(1)* Mu kwezi kwa gatanu 1972, Abahutu bose bari basanzwe mw'ibohero baciye bagandagurwa ; bagenzi babo b'Abatutsi bararekuwe bahejeje gusuzuma ko ari Abatutsi. Umurwi CVR wararonse urutonde rw'Abatutsi barekuwe ico gihe ; wongera uraganira n'Umututsi yarokotse mw'ibohera rya Mpimba asohowe n'Intwazangabo nkuru mu gisirikare c'Uburundi.

*(3)* Mu vyaha bidasanzwe vyakozwe mu Burundi mu 1972-1973 harabonekamwo uruhara rw'abategetsi benshi baserukira inzego z'igihugu.

*(4)* Ivyaha vyabaye kubera inzego zakoresheje ububasha n'uburyo bwa Reta cane cane abasirikare, abajandarume, abacamanza n'abari barongoye intwaro mu gihugu. Imiduga ya gisirikare n'imiduga Reta yigaruriye ku nguvu ni yo yakoreshejwe mu guseha abantu.

(7) Umurwi CVR uremeza ko ivyo vyaha vyateguwe. Iyo nteguro yagiye mu mategeko y'igihugu kugira ubutegetsi bwa Micombero butsimbatare. Iyo nteguro yabonekeye ku ntonde z'abagandaguwe zari zateguwe imbere yuko ubwicanyi butangura ; ku binogo rusangi vyimbwe mu gihugu kare ; ku mugambi wiyerekanye wo kugandagura urwaruka rwiga mu mashure n'ibindi… Umurwi CVR urafise intonde z'abagandaguwe zateguwe mu 1971 ; nkuko hari ibinogo rusangi vyateguwe mu 1970 canke mu 1971.

(8) Ikindi kimenyetso kidasanzwe twakuye mu ntara ya Bururi : Ni umusore w'umuhutu yize amashure ahanitse (yitwa Dr KC). Yari Umuhutu yamaze gutanga inkwano ariko yitegura kubaka urwiwe n'umwigeme w'Umututsikazi. Haheze imisi aza abona bamusubije inkwano yiwe. Umuryango w'umwigeme wamubwiye uti : « Rindira gato amezi ya Ndamukiza na Rusama 1972 arengane ». Uwo mukozi wa Reta yitwa Dr KC yaciye akwakwanya ava mu Burundi ; ubu yahungiye muri Tanzaniya kuva ico gihe.

(9) Imbere y'ivyaha vyakozwe mu 1972, Umukuru w'igihugu yarashinze amategeko adasanzwe mu gihugu yerekana ko hari ibintu biteguwe bizoshikira Uburundi. Muri ayo mategeko harimwo amategeko ashira igihugu mu bihe bidasanzwe, ico bita « Etat d'exception » ; amategeko yerekeye intwaro y'abasirikare n'ibihe bidasanzwe « Régime militaire et d'exception » ; amategeko yerekana ingene Sentare zica imanza zo mu bihe vyo mu ntambara, ingene zikora n'ingene zubatse n'ibindi.

(10) Ibindi vyemezo: Umurwi CVR wararonse urutonde rw'amazu y'Abahutu. Urwo rwandiko rusigura ko kunyaga imiryango y'Abahutu vyateguwe kuva kera. Ahitwa Mwisale, ama parcelles 69 ; muri Bujumbura : inzu 82 ; muri Gitega : 143 ; muri Bukirasazi : inzu 16 ; muri Karuzi : inzu 21 ; muri Bubanza : inzu 63 ; muri Cibitoke : inzu 51 ; muri Ruyigi : inzu n'imangazini 20 ; muri Bururi : inzu 32 ; muri Makamba : inzu 44 ; muri Rumonge : inzu 121 ; muri Kirundo : inzu 43; muri Arrondissement ya Muyinga :inzu 70.

# INGENE IHONYABWOKO RY'ABAHUTU RYAKOZWE MU MWAKA W'1972 I BUJUMBURA

Bujumbura ni wo wari umurwa mukuru w'igihugu. Niho hari inzego nkuru z'igihugu: Ibiro vy'Umukuru w'igihugu; Ibiro bikuru vy'Igisirikare; abategetsi bakuru mu Butungane; icicaro c'Umugambwe UPRONA n'imihari iwukomokako (JRR, UFB na UTB); Iradiyo y'igihugu yitwa "Voix de la Révolution du 8 Burundi"; Ubushikiranganji butandukanye; Ibiro bikuru vy'Iperereza/Sûreté-Immigration; n'izindi nzego zitandukanye.

(1) Kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza 1972, Umukuru w'igihugu Michel Micombero yarakuye Reta yose. Micombero yasigaye akorana n'ibihangange vy'abizigirwa. Bukeye kw'itariki 30 Ndamukiza 1972, Micombero yaciye ashiraho Ababuramatari b'abasirikare mu ntara zose z'igihugu bafise ububasha budasanzwe.

(2) Kuri uwo musi nyene, niho Cyrille Nzohabonayo yashingwa amabanga akomeye yo kuba Umushikirizamanza Kizigenza wa Republika/Procureur Général de la République. Abamuzi neza bavuga ko ariho yari agiheza amashure kuri Kaminuza.

(3) Simbananiye Arthémon yashinzwe amabanga ahambaye kw'igenekerezo rya 12 Rusama 1972: Umukuru w'igihugu yamushinze kuba Umuserukizi w'igihugu agenda isi yose kuvugira Uburundi yongera amugira Umushikiranganji afise ububasha bwo guserukira Umukuru w'igihugu muri vyose/Ambassadeur Itinérant et Ministre Plénipotentiaire. Umuntu nk'uyu murumva ko atavyabaye mu gihugu muri ico gihe atazi; murumva ko atavyateguwe mu gihugu atazi.

(4) Abasirikare baciye bahabwa na Micombero amabanga yo kurongora Intara z'igihugu uko zari umunani ico gihe ni aba, kandi ni nabo babica bigacika :

- ◊ Bujumbura : Commandant Ndikumana Gabriel;
- ◊ Gitega : Commandant Sinduhije Jérôme;
- ◊ Bururi : Commandant Nduwingoma Samuel;
- ◊ Ngozi : Commandant Bizoza Joseph;
- ◊ Bubanza : Capitaine Nzibarega Joseph;
- ◊ Muyinga : Commandant Ntawumenya Ferdinand;
- ◊ Ruyigi : Capitaine Sakubu Lucien;
- ◊ Muramvya : Capitaine Ndikumagenge Charles.

Ba Buramatari b'abasivile bari basanzwe mu mabanga bagumyeho; havuyemwo umwe w'i Bururi yagandaguwe mu misi ya mbere. Abo basirikare binjiye mu mabanga kw'igenekerezo rya 30 Ndamukiza 1972. Mu kwezi k'umunani 1972, Michel Micombero niho yashira umukono ku ngingo nshasha isubiza amabanga uko vyahora ba Buramatari b'abasivile. Aho vyitwa ko akazi k'abasirikare barongoye intara karangiye canke kagabanutse.

Mu Buterere muri Komine Ntahangwa niho himbwe ibinogo bidasanzwe vyatawemwo abagandaguriwe i Bujumbura : abashikiranganji, abakozi ba Reta, abakozi bo mu mabanke nka BRB na BCB ; abigisha ; abadandaza ; abanyeshure biga muri Kaminuza na ENS ; abasirikare n'abandi benshi bafatirwa muri Bubanza canke mu Ntara ya Bujumbura.

(1) Umurwi CVR wararonse urwandiko rw'impapuro 16 ruriko abantu 962 bitwa ko baciye mw'ibohero rikuru rya Mpimba imbere y'uko bacirirwa urubanza rwo gupfa ruca ruja mu ngiro ubwo nyene, na bene kurucirwa batarumenyeshejwe. Urwo rwandiko ruriko amazina aciyemwo umurongo.

(2) CVR yaratohoje isanga benshi abo baciwemwo umurongo ni Abatutsi bari bapfunzwe hanyuma bararekurwa kuko ari Abatutsi. Ivyo CVR yabibwiwe n'uwarekuwe mu Mpimba kuko avuze ko ari Umututsi. Abo barekuwe n'intwazangabo yitwa Nzohabonayo Sylvère.

(3) Mu gisagara ca Bujumbura, hari abicwa bagatabwa muri Tanganyika canke muri Rusizi. Hari n'abatawe mw'ishamba rya Rukoko, baribwa n'ibikoko.

(4) Mu gisagara ca Bujumbura kandi, niho hava amakuru y'ibinyoma adasanzwe atangwa n'inzego z'igihugu. Abarongoye igihugu ni bo bambere babwiye Abarundi n'amakungu ko igihugu catewe n'abashigikiye intwaro ya cami (les Royalistes). Aho hari igenekerezo rya 29 Ndamukiza 1972. Bukeye inzego n'iradiyo vy'igihugu barahinduye ; bavuga ko hateye « Mayi Mulele » ; hanyuma abo bose babita « Inyankaburundi » zikorana n'abanyamahanga « les impérialistes ».

(5) Umurwi CVR wararonse amajwi y'abamenyeshamakuru b'ico gihe, batanga amajambo y'ibanze/bimwe bita Editorial : abo ni Maceri François mu gifaransa na Mutana Athanase mu kirundi.

(6) Kw'igenekerezo rya 29 Ndamukiza 1972, Karoli Ndizeye yaraye agandaguwe mw'ikambi y'i Gitega. I Bujumbura no mu gihugu cose haraye uruhagarara.

(7) Intonde zanditseko Abahutu bahagarikwa bagaca bicwa zaciye zisohoka mu gihugu cose. Izo ntonde zanditswe na nde ? Zanditswe ryari ? Umurwi CVR urafise inyishu kuri ivyo bibazo. Izo ntonde zanditswe n'ubutegetsi burongowe na Michel Micombero, bwateguye ubwicanyi bw'agahomerabunwa mu gihugu cose.

# IVYO UMURWI UJEJWE GUTOHOZA UKURI N'UKUNYWANISHA ABARUNDI CVR WEMEJE KU WA 20 KIGARAMA 2021

Umurwi CVR, umaze gutohoza ukuri ku vyaha vy'agahomerabunwa vyakorewe Abarundi mu 1972- 1973 ;

⇒ Wihweje integuro zidasanzwe zakozwe n'abaserukira inzego zitandukanye z'igihugu kuva hejuru gushika mu nzego z'intango imbere y'ivyaha vyakorewe Abarundi bo mu bwoko bw'Abahutu mu 1972-1973 ;

⇒ Wihweje kandi ibimenyetso vyerekana ingene ubutegetsi bwa Prezida Michel Micombero n'abamufasha bashize mu ngiro umugambi wo kugandagura ku bwinshi, mu gihugu cose, Abarundi bo mu bwoko bw'Abahutu ;

⇒ Umurwi CVR uremeje uno musi kw'igenekerezo rya 20 Kigarama 2021 ko ivyaha vyakozwe n'ubutegetsi bwa Prezida Michel Micombero n'abamufasha kurongora igihugu ari ihonyabwoko ryakorewe Abahutu bo mu Burundi mu 1972-1973

⇒ Umurwi CVR umenyesheje kandi ko ata vyaha vyo mu ngwano vyakozwe mu Burundi mu 1972 -1973.

Umurwi CVR, umaze gutohoza ivyaha vyakozwe mu Burundi mu 1972-1973 ;

⇒ Wihweje ingene Abarundi bagandaguwe mu gihugu cose, cane cane Abarundi bo mu bwoko bw'Abahutu bakora akazi ka Reta canke bakora ivyabo ;

⇒ Wihweje ingene Abarundi bishwe ku bwinshi kandi ata ngwano yari mu gihugu ;

⇒ Wihweje kandi ingene uburyo bwa Reta canke uburyo bw'abigenga bwafashwe na Reta ku nguvu bwakoreshejwe mu kugandagura Abarundi bava mu bwoko bw'Abahutu mu 1972-1973 ;

⇒ Umurwi CVR uremeje ko mu Burundi hatakozwe ihonyabwoko ryonyene rihitana Abahutu mu 1972- 1973. Harakozwe kandi ivyaha vy'agahomerabunwa bikorerwa kiremwa muntu, cane cane Abarundi bo mu bwoko bw'Abahutu.

⇒ Umurwi CVR umenyesheje Abarundi bose ko ata vyaha vyo mu ngwano vyakozwe mu Burundi mu 1972-1973

*LA COMMISSION VÉRITÉ ET RÉCONCILIATION AYANT ENQUÊTÉ SUR LES VIOLATIONS GRAVES, MASSIVES ET SYSTÉMATIQUES DES DROITS DE L'HOMME COMMISES EN 1972-1973 AU BURUNDI;*

⇒ *VU LES ACTIONS DE PLANIFICATION DES VIOLATIONS GRAVES, MASSIVES ET SYSTÉMATIQUES DES DROITS HUMAINS COMMISES EN 1972-1973 CONTRE LES BARUNDI DU GROUPE ETHNIQUE DES BAHUTU PAR LE POUVOIR DU PRÉSIDENT MICHEL MICOMBERO ;*

⇒ *APRÈS UNE ANALYSE APPROFONDIE DES FAITS ET GESTES DU POUVOIR DU PRÉSIDENT MICHEL MICOMBERO AYANT PRÉCÉDÉ LES VIOLATIONS GRAVES, MASSIVES ET SYSTÉMATIQUES DES DROITS HUMAINS CONTRE LES BARUNDI DU GROUPE ETHNIQUE DES BAHUTU EN 1972-1973;*

⇒ *LA COMMISSION VÉRITÉ ET RÉCONCILIATION DÉCLARE SOLENNELLEMENT CE 20 DÉCEMBRE 2021 QUE **LE CRIME DE GÉNOCIDE A ÉTÉ COMMIS CONTRE LES BAHUTU DU BURUNDI EN 1972-1973.***

*LA COMMISSION VERITE ET RECONCLIATION DECLARE QUE LE CRIME DE GENOCIDE A ETE COMMIS CONTRE LES BAHUTU DU BURUNDI A TRAVERS TOUT LE PAYS EN 1972-1973.*

⇒ *DE MEME, **DES CRIMES CONTRE L'HUMANITE ONT ETE COMMIS CONTRE LES BAHUTU DU BURUNDI** EN 1972-1973.*

⇒ *DANS LE SUD DU PAYS, ET DE MANIERE PARTICULIERE A RUMONGE, NYANZA-LAC, VUGIZO ET SUR LE LITTORAL DU LAC TANGANYIKA, **LES CRIMES CONTRE L'HUMANITE ONT ETE COMMIS CONTRE LES BATUTSI ET LES BAHUTU VENANT DES MONTAGNES DURANT LA PREMIERE SEMAINE DU DECLENCHEMENT DES MASSACRES LE 29 AVRIL 1972.***

⇒ *LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION CONFIRME QUE **DES CRIMES CONTRE L'HUMANITE ONT COMMIS CONTRE LES CITOYENS DE LA COMMUNAUTE BATWA**, SURTOUT DAN LES PROVINCES ACTUELLES DE MURAMVYA ET MWARO.*

⇒ *LA COMMISSION VERITE ET RECONCILIATION CONFIRME QU'**IL N'Y A PAS EU DE PERPETRATION DE CRIMES DE GUERRE EN 1972-1973 AU BURUNDI***